Uwo wese yungururije uwananiwe kwishura ingurane akamuha irindi sango, canke akamuhebera umugabane w'ingurane yamwishuza, ku musi w'izuka ry'ibiremwa, Imana Allah Izomushira mu gatutu Yamugeneye musi y'Ubuhangamo bwayo, kuri uwo musi ata gatutu kazoba kahari kiretse agatutu kagenwe na Yo

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwo wese yungururije uwananiwe kwishura ingurane akamuha irindi sango, canke akamuhebera umugabane w'ingurane yamwishuza, ku musi w'izuka ry'ibiremwa, Imana Allah Izomushira mu gatutu Yamugeneye musi y'Ubuhangamo bwayo, kuri uwo musi ata gatutu kazoba kahari kiretse agatutu kagenwe na Yo".

[صحيح] [رواه الترمذي وأحمد]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratwiganiye ko uwurindirije uwunaniwe kuriha ingurane maze akamuha irindi sango ryo kurihirako canke akamuhebera umugabane kuri nya ngurane amwishuza, impera yiwe ku Mana Allah ari uko Izomushira mu gatutu musi y'Ubuhangamo bwayo ku musi w'izuka ry'ibiremwa, umusi izuba rizokwegerezwa hafi cane y'imitwe y'abaja bayo, ubushuhe na bwo bukazoba ari bwa bushuhe bumena imbwa ubuhanza (bukaze cane utoraba), nta n'umwe rero azoronka agatutu ko kwugamamwo ubushuhe bw'izuba riri aho, kiretse uwuzokwugamikwa n'Imana Allah.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/4186